Australian Government
Services Australia

KIRUNDI

# Uko intererano igenewe umwana igira ingaruka kuri Family Tax Benefit

Nimba woba uronka Family Tax Benefit kandi ukaba utagifitaniye imigenderanire n'urya wundi muvyeyi w'umwana wawe, woshobora gukenera gusaba intererano igenewe umwana.

## Intererano igenewe umwana ni iki

Intererano igenewe umwana ni amafaranga umuvyeyi ariha akayaha urya wundi muvyeyi kubwo gufasha mu biciro vy'ibiriko biratunga umwana wabo.

Abavyeyi bose barafise uruhara mu biciro vy'ibikuza umwana naho baba batagifitaniye imigenderanire canke umwe mu bavyeyi akaba aba mu kindi gihugu.

Mu gihe wosaba intererano igenewe umwana, tuzobabwira wewe n'urya wundi muvyeyi uwukwiye gutanga intererano igenewe umwana hamwe n'igitigiri c'ayotangwa.

Services Australia iranashobora kugutoreza ayo mafaranga.

## Uko intererano igenewe umwana ishobora kugira ingaruka kuri Family Tax Benefit

Indishi z'intererano igenewe umwana hamwe na Family Tax Benefit Part A birafatanye.

Igitigiri c'amafaranga y'Intererano igenewe umwana uronka kirashobora kwongereza Family Tax Benefit Part A yawe.

Ni waba ufise umwana mu mubano wahozemwo kandi ukaba uronka Family Tax Benefit, uri n'igihe gitegekanijwe kugira ngo ube wasavye intererano igenewe umwana.

Inyuma y'ico gihe, ni waba utasavye intererano igenewe umwana canke ngo ube waraduhamagaye ngo tuvugane ivyoshoboka kuri wewe, urashobora guca uronka igitigiri gito ca Family Tax Benefit kugeza usavye.

Asangwa hariho imvo izo ari zo zose zotuma udasaba intererano igenewe umwana, ukwiye kuzitumenyesha.

## Uko wosaba intererano igenewe umwana

Mu gusaba intererano igenewe umwana, uzokenera guhamagara umukozi wacu ku biro vyacu vya Australia Bikorera Abenegihugu mu vyerekeye Child Support ku numero **131 272**.

Kugira ngo twemere ugusaba kwawe, dukeneye gusuzuma abavyeyi nyezina bibarutse uwo mwana abo ari bo. Twoshobora kukubaza ibibazo bimwebimwe canke tukaguha urwandiko runaka wuzuza. Muri rusangi, turanakenera kuvugana n'uwo wundi muvyeyi.

## Mu gihe utoshobora gusaba intererano yo gushigikira umwana

Urashobora kubitumenyesha ni haba hariho imvo zinaka zotuma utosaba urya wundi muvyeyi intererano yo gushigikira umwana. Izo na zo zishobora kuba:

- Imvo z'imico
- Agahahazo mu muryango no mu rugo
- Ukugeramirwa kw'umutekano wawe mu gihe wosaba intererano yo gushigikira umwana
- Izindi mvo z'inkoramutima.

Bizoba nkenerwa ko uvugana n'umwe mu bahinga bacu mu vyerekeye imibano maze umwiganire imvo zituma udashobora gusaba intererano yo gushigikira umwana.

Ico gihe rero twoshobora kuguha icemezo c'ukutabamwo, kugira ngi ntibibe nkenerwa ko usaba urya wundi muvyeyi intererano yo gushigikira umwana.

## Ni waba ukeneye ayandi makuru

- Hamagara kuri **131 202** uvugane natwe mu rurimi rwawe ivyerekeye Family Tax Benefit yawe hamwe n'uko udasdhobora gusaba intererano yo gushigikira umwana.
- Shika ku kigo ico ari co cose ca Services Australia.
- Ja kuri **servicesaustralia.gov.au/yourlanguage** aho ushobora gusoma, kwumviriza no kuraba amakuru mu rurimi rwawe.

## Icitonderwa

Amakuru ari muri runo rwandiko amenyeshejwe nk'indongozi mu vyerekeye ukuriha n'ukwakirwa. Ni umwitwararikọ wawe gufata ingingo ko wipfuza kuyasaba ngo uyahabwe, hisunzwe ibidasanzwe bikwerekeye wewe ubwawe.

Australian Government
Services Australia

ENGLISH

# How child support affects your Family Tax Benefit

If you get Family Tax Benefit and you are not in a relationship with the other parent of your child, you might need to apply for child support.

## What is child support

Child support is money a parent pays to the other parent to help with the costs of looking after their child.

Both parents are responsible for the costs of bringing up a child even if they are not in a relationship or one of the parents lives overseas.

When you apply for child support, we will tell you and the other parent who needs to pay child support and how much to pay.

Services Australia can also collect this money for you.

## How child support can affect your Family Tax Benefit

Child support payments and Family Tax Benefit Part A are linked.

The amount of child support you get can affect your Family Tax Benefit Part A.

If you have a child from a previous relationship and get Family Tax Benefit, you have a set time to apply for child support.

After this time, if you have not applied for child support or contacted us to talk about your options, you may get less Family Tax Benefit until you apply.

If there are reasons you cannot apply for child support, you need to let us know.

## How to apply for child support

To apply for child support, you will need to call our Services Australia Child Support staff on **131 272**.

To accept your application, we need to check who the birth parents of the child are. We may ask you to answer some questions or give us some paperwork. We usually need to talk to the other parent too.

## If you cannot apply for child support

You can let us know if there are reasons you cannot apply for child support from the other parent of your child. These can be:

- cultural reasons
- family and domestic violence
- if claiming child support makes you feel unsafe
- other reasons that are sensitive.

You will need to talk to one of our social workers and tell them why you cannot apply for child support.

We can then give you an exemption, so you do not need to ask for child support from the other parent.

## For more information

- Call **131 202** to speak with us in your language about Family Tax Benefit and if you cannot apply for child support.
- Visit your local Services Australia service centre.
- Go to **servicesaustralia.gov.au/yourlanguage** where you can read, listen to or watch information in your language.

## Disclaimer

The information contained in this publication is intended only as a guide to payments and services. It's your responsibility to decide if you wish to apply for a payment and to make an application with regard to your particular circumstances.